Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°820 1Myandagaro2024

# Akanyamuneza ka Yubile y'Imyaka 75 muri Diyoseze ya Ngozi



Diyoseze ya Ngozi iherutse kwakira imihezagiro n'imigisha ya Yubile y'imyaka 75 imaze ishinzwe, hamwe n'iyatirwa ry'abapatiri n'abadiyakoni.

Hari kuri uwu wa 6 mukakaro 2024, mu nkuka y'imisa yaherejwe n'Umwungere wa Diyoseze ya Ngozi, Nyenicubahiro Musenyeri Joriji Bizimana.

Muri iyo Nkuka ya Misa yari akikijwe n'abandi bungere b'amadiyoseze y'Ekleziya y'i Burundi, abasaserdoti, abihebeyimana n'abakristu isinzi, barimwo n'abarongoye inzego zitandukanye mu gihugu.

Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Diyoseze Bubanza yaraye yungutse abasaserdoti 8



Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Akaranada k'indwara y'ibihere kateye mu Burundi....................................7
o Inkingi, amahangiro ya kazoza ni'ico imbonakazoza yipfuza.................8
o Bubanza: Isekeza ryo kugwanya indwara y'ururkushi.............................9
o Ugukingira abakorewe amabi afatiye ku gitsina Ingaruka mbi ziyaturukako no guhana abayakoze..........................................................................10

# Idominika ya cumi n’umunani: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Ihunguka 16, 2-.412-15*

Ivyo dusoma mu gitabu c’Ihunguka :

(*Umukate uvuye mw’ijuru*)

Muri irya minsi, bageze mu bugaragwa, umuryango wose wa bene Israyeli widodombera Musa na Aroni. Bene Israyeli bababwira bati: «Iyo dupfuma tugwa mu minwe y’Umukama mu gihugu ca Misiri, aho twari twiyicariye twiteretse inkono z’inyama, aho twirira umukate tugahimba. None mwatuzanye muri ubu bugaragwa kugira ngo iri shengero ryose ryicwe n’inzara!»

Umukama abwira Musa ati: «Nza kubashunguruririko umukate uvuye mw’ijuru. Igihugu kizosohoka kwandura ku musi ku musi ibikwiranye n’uyo musi nyene, kugira ngo ndabageze. Nzoraba ko bakurikiza amategeko yanje canke ko batayakurikiza. Umukama ashikiriza ijambo Musa, avuga ati: «Numvise imyidogo ya bene Israyeli.

Bashikirize iri jambo uvuge uti: “Mu kazangazanga, muraza kurya inyama, mu gitondo na ho muzorya imikate muhimbe. Muzoheza mumenye ko ari jewe ndi Umukama Imana yanyu”.»

Igihe c’umugoroba, inkware ziraza zuzura icumbi, mu gitondo na ho urume ruratonda rukikuza icumbi. Urume rukamye, ni ho haboneka hasi mu bugaragwa utuntu dutoduto nk’ubukokorwa, dusa n’udutete tw’urubura turi hasi. Bene Israyeli bararaba, baraheza bavugana bati: «Ivyo ni ibiki?», kuko ntibari bazi ivyo ari vyo. Musa ababwira ati: «Ni umukate Umukama yabahaye ngo murye.

## Igisomwa ca kabiri*: Abanyefezi: 4,17.20-24*

Ivyo dusoma mw’ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyefezi:

(*Umuntu mushasha yaremwe mu bugingo bw’Imana*)

Ncuti zanje :
Ivyo ndababwira, ndabishingira n’intahe mu Mukama. Ntimuzosubire na rimwe kwigenza nk’uko abapagani bigenza mu bitagira akamaro vyo mu bwenge bwabo.

Mweho uko si ko mwamenyeshejwe Kristu, usangwa vy’ukuri mwaramwumvise kandi mukaba muri we mwarigishijwe ukuri nk’uko kuri muri Yezu, mukigishwa mu vyerekeye imigenzo ya mbere ko mutegerezwa kwikurako wa muntu wa kera yama atituka kubera ivyipfuzo vy’uruhendo, ni ukwiyubura mu mutima w’ubwenge bwanyu, 24 mukiyambika wa muntu mushasha yaremanywe agashusho k’Imana mu butungane no mu bweranda buva ku kuri.

## Inkuru nziza *: Yohani : 6, 24– 35*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umuntu ntatungwa n’indya gusa, ariko aratungwa n’ijambo ryose riva mu kanwa k’Imana.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani:

(*Uwuriye umubiri wanje ntazokwigera asonza*)

Muri irya minsi, abantu rero babonye ko Yezu atari ho akiri, we n’abigishwa biwe, burira mu bwato bagenda i Kafaranawumi barondera Yezu. Bamusanga hakurya y’ikiyaga bamubwira bati: «Mwigisha, washitse ino ryari?»

Yezu arabishura ati: «Ni ukuri, ni ukuri ndabibabwiye, murandondera, ariko si uko mubonye ibimenyetso, ni uko mwariye imikate mugahaga. Ntimukorere indya ihera, nimukorere imfungurwa igumya ubuzima budahera, ari yo Umwana w’umuntu azobaha, kuko ari we Mana Data yatiye.» Baramubwira rero bati: «Tuze tugire iki ngo turangure ibikorwa bishimisha Imana?» Yezu arabishura ati: «Igikorwa Imana ishima ni uko mwokwemera uwo yatumye.» Baramwishura bati: «Ikimenyetso ukoze none ni ikihe ngo tubone, duheze tukwemere? Uza gukora iki? Ba sokuru bacu barariye amana mu bugaragwa, nk’uko vyanditswe ngo: “Yarabagaburiye umukate wo mw’ijuru”.»

Yezu arababwira ati: «Ni ukuri, ni ukuri ndabibabwiye, Musa ntiyabahaye umukate wo mw’ijuru, Data ni we baha umukate nyakuri wo mw’ijuru, kuko umukate w’Imana ari wo uva mw’ijuru ukazanira abantu ubuzima.» Baramubwira rero bati: «Mukama, uraduha uwo mukate imisi yose.» Yezu na we arababwira ati: «jewe ndi wa mukate w’ubuzima: uwunyegereye ntazoba agisonza, kandi uwunyemeye ntazoba akinyoterwa.

# Diyoseze Bubanza yaraye yungutse abasaserdoti 8

Hari mu gitondo c'uyu wa 13 Mukakaro 2024, kuva igihe c'isaha zine aho impundu z'umusi mukuru w'agakura muri diyoseze BUBANZA wo kwatira mw'ibanga ry'Ubupatiri n'ibice vyabwo, watanguzwa n'urugendo rurerure, ruvuye ku ngoro y'Imana ya paruwase Gihanga rugana ku kibuga c'inkino ca komine Gihanga.

Uretse ko urugendo rwari ruhimbaye cane, indirimbo n'intambo z'abatambiramana n'abiyerekeramana biryosha ibirori, abakristu isinzi bari hirya no hino aho rugendo rwariko ruraca batamariwe cane.

Inkuka ya Misa imaze gutangura, ibisomwa biheze, imbere y'uko Umwungere ahagarariye Papa muri diyoseze BUBANZA Musenyeri Joriji BIZIMANA atangura kwigisha igihugu c'Imana, yabanje gusaba umushingantahe aserukira diyoseze Bubanza (Musenyeri Théogène Murwuwundi), kumushikiriza amazina y'abahava baronka amabango n'amabanga atandukanye.

Ivyo biheze, Musenyeri yaciye yigisha igihugu c'Imana ati: " Mw'isezerano rya kera, Ingereranyo y'umuzabibu yakoreshwa mu kudondora umuryango wose wa Israeli, umuzabibu Umukama yari yaribungabungiye, akawitegako ivyamwa vyiza, ariko hakwama ivyamwa vyiza, wamye ibiturumbwe.

Niho Umukama yigira ingingo yo kwirungikira Umwana wiwe w'ikinege, ngo aze abe ariwe muzabibu nyawo, uzoheza ukagira n'amashami menshi meza.

Yezu Kristu Umwana w'Imana, niwe yisanasanira ayo mashami, ngo yame ivyamwa bihimbaye, ayo mashami nayo n'ukuvuga isinzi ry'abantu bemera kumwegukira ku-bw'ukwemera n'ibatisimu ibaha ubutore n'ubutoto...

Ishami ntirishobora kwama igihe ritagifatanye n'umuzabibu. Nico gituma Yezu we nyene ubwiwe aduhanura ati nimugume muri jewe nanje nzoguma muri mwebwe, bukaba ari ubutumire dushikirijwe bw'uko twoguma mu bunywanyi nawe.

Intambwe nkuru ashaka ko dushikako niyo kunywana nawe, tukaba umwe nawe kugira adusangize kw'iteka ryeranda ryo kutunywanisha na Data, naho rero adukurira inkoni ku gishitsi ati tutarikumwe ntaco mwokwishoboza.

Dutegerezwa kwemera gututurirwa, ishami ryose ritama ivyamwa ryoryo riba rirwaciriye kuko riracibwa rikuma, ishami naryo ryama i-vyamwa vyiza, Data a-raritututrira, kugira ngo ryame vyinshi, umurimyi azi ubwenge, aguma atuturira igiterwa ciwe kugira came ivya-mwa bihimbaye.

Ni imvugo ngereranyo itwigisha ko no muzima bwacu haba ibisa n'imihonyo, bigatuma ubukristu budashemera.

Imihonyo ni birya vyose bisamaza bigatuma umukristu agata inzira izomushikana mu buzima bwuzuye.

Nayo ni nko kwishinga ibiganiro bitagira mvura n'amarigara, kwiyamira imbere ya Tereviziyo canke gutwagwa n'urukurukuru rwo mubuhinga ngurukana bumenyi, kwamana umunoho w'amafranga, guhahamirira inyungu za politike, ibinyoma n'amanyanga bikajamwo, kwiyamira mu karyoheramubiri kajana kenshi mu bushurashuzi, n'ibindi bisamaza mu mpande nyinshi. Iyo yose ni imihonyo ibuza umukristu kuba ico yambwirizwa kuba.

Ku Musaserdoti wewe, iyo yishinze kwigumira mu buzima benebwo, n'ingabirano kama aba afise zirateba zikazimangana, ubwenge bukazimata, amikoro yarashinzwe kubungabungira umuryango akayonga mu kanya gatoya, iparuwase ikugarwa, ugasanga ntakintu c'ingirakamaro yigeze ashikako. Erega hari ingabirano nyinshi Imana itanga ariko zigapfapfana.

Yarangije inyigisho yiwe ahanura abasaserdoti yagira ngo yatire, kwirinda iyo mihonyo, ati: « None rero Basaserdoti b'Umukama, nimwemere gututurirwa kugira ngo inguvu zanyu, ubwenge bwanyu n'izindi ngabire Imana yabahaye, zishobore kwama ivyamwa nyavyo, nico Yezu Kristu abitezeko.»

Hakwirikiye umugirwa wo kwatira: hatiwe mw'ibanga ry'umusaserdoti, abapatiri 8, abadiyakoni 9, abakorezi 7 n'abasomyi 10.

Tubamenyeshe ko ibirori vyari vyatewe iteka n'icegera c'Umukuru w'Igihugu Prosper BAZOMBANZA, Umushikirangaji ajejwe kumenyesha amakuru, Buramatari w'intara ya Bubanza, abashingamateka bamwe bamwe, ba musitanteri n'abandi banyacubahiro batari bake bavuka mu ntara ya Bubanza na Cibitoke.

Imisa iheze, icegera c'Umukuru w'Igihugu yarashikirije ijambo abari ngaho, aramenya ko inyigisho ya Musenyeri yo guhonyorwa yayakirije yompi, ashima ubutumire mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu yamutumye kumuhagararira, ashima n'imigenderanire myiza iri hagati ya Reta na Ekleziya.

Inkuka ya Misa iheze hakurikiye umwanya w'agatutu, hakaba haravugiwe amajambo menshi yo gukenguruka.

Ibirori vyarangiye igihe c'isaha cumin'imwe zo ku muhingamo.

***Emmanuel HAVYARIMANA***

# Akanyamuneza ka Yubile y'Imyaka 75 muri Diyoseze ya Ngozi

(Bitangurira ku rup.1

Insiguro y'ijambo ry'Imana ry'uwo musi yari ishingiye kuri yubile hamwe n'ibanga ry'ubusaserdoti.

Musenyeri Joriji yavuze ati : «Ubu turiko turahimbaza umusi mukuru wa yubile ya Diyoseze imaze imyaka 75 ishinzwe kuva mu mwaka 1949.

Umwaka wa yubile nawo wamye ari umwaka wo kubohoka, uwari yaranganjwe agasubira mu muryango wiwe, uwari yaranyanzwe agatongo kiwe akagasubizwa ; ni umwaka wo kwisubirako, kunagura umubano mwiza mu bantu, abari baribagiwe bakibukwa ; ni umwaka wo kwibuka ko Imana ariyo igaba vyose tukibuka ko ariyo muvyeyi aje kwibuka abarushwa ; ni umwaka wo kwisuzuma umwe wese akirimbura, umuntu akisubirako ».

Yerekeje ku basaserdoti bagira batirwe, Nyenicubahiro Musenyeri Joriji Bizimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ngozi, yaribukije ko ubusaserdoti Yezu Kristu ya-shinze bushinze imizi mu kwitanga kwiwe ku musalaba, ivyo navyo bi-katwibutsa umugirwa wabaye ku musi wa kane mweranda aho Yezu yagira Ukaristiya akongera agashinga isakramentu ry'ubusaserdoti.

Inkuka y'Imisa ifise agaciro kubera ari Yezu we nyene yihereje kumusalaba ngo acungure abantu, vyerekana rero ko umusaserdoti ategerezwa kwihereza kw'Inkuka kuko na Yezu yarihereje.

Muri we twarabaye imperezwa nziza, umusaserdoti ategerezwa guhereza Inkuka akihereza we nyene, gurtyo umuryango ukahatorera akoyoko.

Muri iryo banga Abasesardoti basabwe kwama bicisha bugufi, iryo banga ntirishingiye ku vyo abantu bafatirako kuko ibijuju ni vyo Imana yitoreye ngo bibe ibikoresho vyayo, n'aho ari uko ntibisigurako Abasaserdoti batofatwa n'ikibi abandi bakora mugabo basabwe gusaba ikigongwe ntibiyime ivyo bafashisha abandi. Umusaserdoti ashira imbere igisabisho n'uguhabwa amasakramentu.

Nyenicubahiro Musenyeri Joriji Bizimana, Umwungere wa Diyo-se-ze ya Ngozi, yasavye abakristu bari aho kubandanya basabira Abasaserdoti n'ukubashigikira kuko Abasaserdoti bazingamye n'abakristu baba bazingamye. Yasavye Abasaserdoti nabo kudakora ivyo bishakiye kuko uwukora ivyo ashatse ntaba agitegera ibanga ryiwe ; araruha akaruhisha n'abandi.

Ashimikiye kuri Musenyeri Yozefu Martino, Umwungere wa mbere wa Diyoseze ya Ngozi, yaraciye irya n'ino bikuru bikuru mu vyaranze Diyoseze ya Ngozi hamwe n'ubutuwa abungere bagiye baritwararika ngo umuryango wa Diyoseze utere imbere mu mpande zawo zose.

Abo nabo ni Musenyeri Andreya Makarakiza, Musenyeri Stanislas Kaburungu, na Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa.

Musenyeri Joriji Bizimana ni umwungere agira gatanu wa Diyoseze ya Ngozi.

Mw'ijambo yari yarungikanwe n'Umukuru w'igihugu, Nyakwubahwa Martino Ninteretse arongoye Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati, umutekano n'iterambere rusangi, Martino Ninteretse, yarakeje Diyoseze Ngozi kuri iyo Yubile no ku ngabire y'abasaserdoti, anakenguruka ingene Ekleziya Gatorika ishashe mu madiyoseze yose yitwararika iterambere ry'umutima itibagiye n'iteramabre ry'umubiri, mu bisata remezo bitandukanye vy'igihugu.

**Abatiwe mw'ibanga ry'Ubudiyakoni ni :**

Jean Paul Butoyi (Paruwase Kiremba), Bertin Dushimirimana (Paruwase Gasenyi), Jean-Claude Ndayishimiye (Paruwase Rubanga), Valentin Kubwimana (Paruwase Gisyo),
* Gratien Mahenga (Paruwase Kiremba),
* Nicodème Ndayishimiye (Paruwase Musenyi),
* Roger Nininahazwe (Paruwase Mubuga),
* Roger Niyibigira (Paruwase Rwegura),
* Onesime Nizigama (Paruwase Mugogo),
* Silas Ntirampeba (Paruwase Ryakabamba),
*Jean-Marie Twemerimana (Paruwase Mwika),
* Jean de Dieu Hakizimana (Paruwase Kiremba).

**Abatiwe mw'ibanga ry'Ubusaserdoti begukira Diyoseze ya Ngozi bose hamwe ni 14 :**

* Antoine Arakaza (Paruwase Gasenyi),
* Longin Ndayikengurukiye (Paruwase Busiga),
* Herbert Ndayiragije (Paruwase Ngozi),
* Médard Nduwimana (Paruwase Ryakabamba.),
* Gérard Niyimbona (Paruwase Gatara),
* Thérence Nkurunziza (Paruwase Jene),
* Clovis Nduwayezu (Paruwase Gisyo),
* Rémy Ndayishimiye (Paruwase Busiga),
* Jean-Calude Ndayishimiye (Paruwase Rubanga),
* Thierry Ndizeye (Paruwase Muhanga).

Kuri uwo musi nyene, haratiwe abasaserdoti begukira imiryango y'abihebeye Imana. Abamisiyonari ba Afrika (bitwa Abapatiri bera), abo nabo ni :

* Claude Niyigaba, Claude Nsengiyumva,

* Jean Bosco Nduwayo.

**Abasaleziyano batiwe ni 2 :**

Aaron Rivuzimana na Alexandre Majambere.

Inyuma y'Inkuka y'imisa, urwo rubanza rwabandanirije mu mashurwe y'Isengero ya Paruwase Mvyeyi ya Ngozi, aho abatumire babandanirije gusangira ijambo n'inzimano z'uwo musi.

Philbert MIBURO
SICODIN

# Muyinga: Yubile y'imyaka 25 ya Paruwase Gasura n'iyatirwa ry'abasaserdoti bashasha

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 20 Mukakaro 2024, Diyoseze Gatolika ya Muyinga yaratewe iteka ryo guhimbaza mu kanyamuneza ntangere Yubire y'imyaka 25, Paruwasi yitiriwe Umweranda Fransisko Xaveri ya Gasura imaze itanguye.

Urwo rubanza rukaba rwarimwo n'ibirori vy'ukwatira abasaserdoti, abadiyakoni n'ugutanga ibice vyerekeza ku mabango yabwo.

Ibirori vy'uyo musi vyatanguriye ku Nkuka y'Imisa yaherejwe n'Umwungere wa Diyoseze Muyinga, Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu Ntahondereye.

Igihe yariko aritsa Ijambo ry'Imana, aryerekeza cane cane kubagira batirwe, yashikirije ko ibanga ry'ubusaserdoti atari urwego canke igiti, ahubwo ko ari ubutumwa.

Ubwo nabwo ni ukwitanga, utunganiriza bose, aho niho hari akabirya k'umwambiro w'iterambere nkomokamana kw'isi.

Musenyeri Yohakimu Ntahondereye yasavye abo yagira yatire gukundira Kristu ngo begukire Imana koko ata co bisigarije, baremeshe iterambere nkomokamana, ati: « Ntimuje ngo mubwire abantu gusa yuko Imana iriho, ngo mubabwire y'uko Umwana w'Imana yigize umuntu vyo nyene; muje ngo dusangire urugamba rutoroshe rwo guhindura imitima y'abantu, iva kuri ya mpengamiro mbi ikomoka kuri ca gicumuro c'inyanduruko.

Ariko rero Umukama ntabatoye ngo muze kugorerwa muri iri teka n'ibanga, abatoye nyabuna ngo abasangize ku kanyamuneza kiwe ko kwitangira abandi. »

Umwungere yaribukije abatirwa ko kuwa 19 Mukakaro 2024, ku muhingamo, biyemeje batako bararahira kutubaka urwabo no kwubahiriza ibwirizwa rya 6, ko biyemeje kwegukira Diyoseze Gatolika ya Muyinga, kandi ko baza kwiyemeza kumugamburukira we n'abazomusubirira mu gushira ibiganza vyabo mu vyiwe, bongere bubarare hasi bubitse inda, mu gihe tuzoba turiko turabasabira.

Ubwo nibwo buryo Ekleziya yahawe bwo kugaragaza ko umuntu yiyeguriye Imana ata co yisigarije.»

**Muri ivyo birori rero, Diyoseze ya Muyinga yagabanye imisore 7 yatiwe mw'iteka n'ibanga ry'Ubusaserdoti busuku, nayo ni iyi :**

* Patiri Aoron Manirafasha (Paruwase Gasorwe),

* Patiri Armel Ninziza (Paruwase Muyinga),

* Patiri André Mbazumutima (Paruwase Bugenyuzi),

* Patiri Elie Bimenyimana (Paruwase Ruzo),

* Patiri Pascal Bigirimana (Paruwase Gasura),

* Patiri Privat Ndayegamiye (Paruwase Muyinga),

* Patiri Fréderic Manariyo (Paruwase Gisanze).

**Imisore 7 yatiwe mw'iteka n'ibanga ry'Ubudiyakoni :**

* Diyakoni Ernest Niyonzima (Paruwase Kamaramagambo),

* Diyakoni Jean Pierre Nduwayo (Paruwase Gisanze),

* Diyakoni Jérémie Iyibizenabi (Paruwase Gasorwe),

* Diyakoni Martin Ntakirutimana (Paruwase Gasorwe),

* Diyakoni Richard Hariganganji (Paruwase Ruzo),

* Diyakoni Roger Ndayisenga (Paruwase Ruzo)

* Diyakoni Thomas Ndayizeye (Paruwase Murore).

Imisore 8 yahawe Igice c'Ubukorezi hamwe n'imisore 12 yahawe Igice c'Ubusomyi bw'Ijambo ry'Imana.

Ivyo birori vyari vyatewe iteka n'abasaserdoti benshi, abihebeyimana benshi, n'abandi bubahwa batari bake :

Umushikiranganji wo kwivuna abansi n'ugukurikirana abahoze ku rugamba Nyakwubahwa Alain Tribert Mutabazi, abashingamateka n'abakenguzamateka cane cane ab'imvukira, Buramatari w'Intara ya Kirundo, Segasago Victor na Buramatari w'Intara ya Muyinga, Jean Claude Barutwanayo ; abasitanteri n'abashinzwe umutekano mu gisirikare no mu gipolisi bo muri izo ntara no mu ma komine, n'isinzi ry'abakristu n'abandi.

Mu mpera y'Inkuka y'Imisa, Musenyeri Yohakimu Ntahondereye Umwungere wa Diyoseze Muyinga, yarahezagiye abateguwe na Paruwasi baserukira ingo ibihumbi bitatu bariko barahimbaza Yubire y'imyaka 25 na 50.

Urwo rubanza nyabubiri rwa Yubire y'ifeza ya Paruwase Gasura no kwatira abasaserdoti basuku bashasha, rwasozerewe n'agatutu ku batumire mu gusangira mu kanyamuneza inzimano y'uwo musi mukuru.

**Patiri Jean de Dieu GATABAZI**
**SAVACOM Muyinga**

# Inkingi, amahangiro ya kazoza n'ico imbonakazoza yipfuza *(Ibikurikira)*

Ihangiro rya 16

**Gushiraho inyigisho z'ubuhinga inyuma y'ishure shingiro, zijanye n'ivyo igihugu gikeneye ngo gitere imbere.**

Uburundi buzosohora abafise ubumenyi bukwiye bubafasha kwishingira amashirahamwe canke bubafasha gukorera mu mashirahamwe abakoresha, abantu baheza bakerekana koko ko baronkejwe inyigisho ijanye n'ivyo abakoresha baba bakeneye ku bakozi babo.

Ikindi na co, Uburundi butegerezwa kwitandukanya n'inyigisho-kinyamwuga zerekeye «ubumenyi bw'igifundi: imyuga isanzwe».

Ahubwo buduge ku rundi rugero rw'inyigisho-kinyamwuga bujanye « n'ubumenyi nyabwo, umutima wo kwibaza, itumatumanako no gufashanya ».

Iki ni ikintu gikomeye kubera ko abo bazoba bize ivyo bashobora gutorera inyishu ibikenewe dusanga kw'isoko y'abanyamwuga.

Ihangiro rya 17

**Guteza imbere inyigisho ifise akanovera mu mashure ya kaminuza, mu bushakashatsi no mu buhinga bwa none.**

Guteza imbere igisata c'amashure ya Kaminuza mu bijanye n'ubushakashatsi hamwe n'ubuhinga, ni ikintu gikomeye cane gishobora gushitsa Uburundi kw'i-terambere.

Muri iyo ntumbero, habwirizwa kuboneka imitahe myinshi ikoreshwa, mu ntumbero yo guteza imbere inyigisho za Kaminuza muri rusangi, ariko cane cane mu bisata vy'ubushakashatsi n'ubuhinga.

Amashuri ya kaminuza birakwiye ko yitabwaho cane kugira ashobore kuronsa igihugu abantu b'incabwenge bafise ubumenyi bujanye n'iterambere tugezemwo, bashobora gushitsa Uburundi ku rugero rubereye mu bijanye n'ubuhinga bwa none.

Bisubiye, birakenewe gukora impinduka mu gisata c'inyigisho y'imyuga mu ntumbero yo kuronsa abanyeshure ubumenyi bujanye n'ibikenewe kw'isoko ry'akazi, na cane cane kugira turonke abakozi babishoboye, haba kw'isoko ryo mu karere no kw'isi yose.

Ivyo bizotuma hate-zwa imbere indinganizo z'ivyigwa, zitorera inyishu ibibazo vy'ibisata bitanga umwimbu, hamwe no guteza imbere ibikorwa vy'ubushakashatsi busanzwe tutibagiye n'ubushakashatsi bwerekeje kuvumbura bishasha mu bijanye n'ubushakashatsi be n'ubuhinga.

Ihangiro rya 18

**Gutegekaniriza kazoza kuri bose.**

Haracakenewe gukora vyinshi mu bijanye no gukingira abakozi n'akazi mu buryo bwose hamwe no gushikira abenegihugu benshi bashoboka.

Uretse ibikorwa vyiza bimaze gushikwako mu bijanye no gukingira akazi no gutegekaniriza kazoza abakozi birangurwa n'amashirahamwe INSS na ONPR, hamwe no mu bijanye n'amagara y'abantu birangurwa n'ikigo ca mitiweri y'abakozi ba Reta, abashobora kuronswa ayo mahirwe baracari bake cane, kuko imice myinshi y'abenegihugu idashobora kuyashikira. (nk'akarorero, ikarata yo kwivurizako yasubiwemwo mu mwaka w'2012 yakoreshwa n'ibice 23.9% vy'abenegihugu bose mu mwaka w' 2022, iyindi karata abenegihugu bato bato bivurizako ifiswe n'ibice 2% gusa, n'ubwishingizi bw'amagara y'abantu na bwo bufiswe n'ibice 0.5%).

Nta nkeka ko hari vyinshi vyaranguwe muri ico gisata, ariko, biribonekeza ko hakiri vyinshi vyo gukorwa kugira igitigiri c'abaronswa izo karata ciyongere, biciye mu migambi mishasha (ya Reta canke y'abikorera utwabo) muri rusangi no gukingira abakukuruke n'abandi bageramiwe.

Birakwiye ko izo ngero zitatu z'ugukingira abakozi zikomezwa :

* Kuvugwa,
* Kuja kwiga
* Kuronka amafaranga.

Ihangiro rya 19

**Gutunganya neza ibijanye no kuronka amazi meza, isuku n'isukura nk'uko bibereye**

Haracari ibikorwa bikenewe gukorwa kugira igitigiri c'Abarundi bashobora kuronka amazi meza ciyongere kuko abenegihugu benshi ata mazi meza baronka, canecane hagati mu gihugu.

Bisubiye, ibikorwa bijanye no kugira isuku birakenewe kugira dukingire abenegihugu bose indwara ziturutse ku mazi mabi, canke k'ukubura ibikoresho bibereye vyo gukora isuku, kugabanya irandagata ry'indwara zikomotse ku mazi mabi, na canecane ku bana bari munsi y'imyaka itanu.

Mu bijanye n'isuku, birakenewe ko dushimikira ku bijanye no gutunganya neza imyanda no gukingira ibidukikije.


Ihangiro rya 20

Kwongereza umurindi wo gutunganya neza ibisagara no guteza imbere uburaro bwiza.

Hari iterambere ridasanzwe mu bijanye no kwagura ibisagara, ariko ibikorwa vyinshi biracakenewe mu bijanye no

*Ibikur. urup. 8*

# Akaranda k'indwara y'ibihara yateye mu Burundi




Akaranda **«MPOX»** ni indwara y'ibihara ifata abantu n'ibikoko.

***Ibimenyetso bikuru bikuru vyayo ni:***

* Ubushuhe bw'umurengera,
* Kumeneka umutwe,
*Kubabara mu mugongo,
* Gucika intege,
* Kugira amasumbi,
* Kubabara mu mitsi,
* Uruherehere ku mubiri rumenekamwo amazi

Iyo umuntu yasinzikajwe n'ico kiza, ashobora kugira ingorane mu bihimba vy'ihemero, mu maso, mu nda no mu bwonko.

Iyo ndwara irandukira cane kandi irica mu gihe umuntu atavuwe hakiri kare.

**Uburyo iyo ndwara yandukira:**

* Gukoranako n'uwuyigwaye mu buryo ubwari bwo bwose, canke gukora ahantu canke ku bikoresho ( Ivyambarwa,





ibisaswa, ibikoresho vyo mu nzu, n'ibindi) vyandujwe n'umuntu canke igikoresho gifise ako karanda;

* Guhemanirako canke gukororeranirako.

**Kwirinda iyi ngwara bisaba:**

* Gukaraba neza n'amazi meza n'isabuni kenshi gashoboka;

* Kwirinda kwegera umuntu yanduye canke afise ibimenyetso vy'iyo ndwara.

* Kunyarukira kwa muganga mu maguru masha, ni ingwara yica mu gihe umuntu atevye kwivuza.

Ivyo vyashikirijwe n'Umushikiranganji wo kubungabunga amagara y'abantu no kugwanya SIDA, kw'igennekerezo rya 22 Mukakaro 2024, inyuma y'uko umugwi w'abahinga ugizwe n'abo mukigokijejwekugwanya indwara z'ibiza (COUSP) hamwe n'abahinga mu gupima indwara z'imigera bo muri INSP bafadikanije n'abo muri OMS bashikirije inyishu z'ibipimo vyakozwe mu kigo INSP, zikerekana ko abantu batatu bose banduye indwara y'akaranda «MPOX», « Monkeypox », mu congereza, canke «variole du singe' mu gifatansa, ko igeze mu Burundi.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Inkingi, amahangiro ya kazoza n'ico imbonakazoza yipfuza *(Ibikurikira)*

(Bitangurira ku rup.6

kurwiza ibisagara bitobito, kugira abantu bagabanuke mu misozi hanyuma indimiro zaguke.

Ibi na vyo bibwirizwa guherekezwa no gushira mu ngiro amategeko y'ibisagara bihasanzwe, kugira tugabanye abantu baba ku nkengera z'ibisagara n'inzu zubatswe hadakurikijwe amategeko canke inyubakwa zitabereye.

Ni ikintu gikomeye cane kubera ko urugero rw'ababa mu bisagara rukiri hasi mu Burundi, kandi ko imiryango yo mu gihugu hagati iba mu bisagara ifise amazi n'amatara hamwe n'ibindi vya nkenerwa ikiri mike. Ibikorwa vyinshi bibwirizwa gukorwa kugira hatunganywe ibibanza vyo kwinezereza.

Ihangiro rya 21

**Gukingira ibidukikije no kwongereza ubushobozi bwo guhangana n'ihindagurika ry'ibihe**

Gutunganya neza ibijanye no guhangana n'ibibangamiye isi, ni ikibazo gikomeye mu gihe ihindagurika ry'ibihe ritera ingorane mu gukingira ababa babangamiwe. Ni co gituma hakwiye kujaho urwego rutunganya imigambi y'abo bose bafise uruhara mw'itsimbatazwa mu bijanye n'ihindagurika ry'ibihe n'ugukingira ibidukiki-je.

Ivyo bisaba gushira inguvu hamwe ry'abakorera mu gisata kiraba ibikorwa vyo gukingira ibidukikije no kugabanya ingorane z'ihindagurika ry'ibihe no gukingira ibinyabuzima.

Kiracari ikibazo gikomeye mu gukingira ibidukikije n'ibinyabuzima mu gutegekanya ibikorwa vyisunga ihindagurika ry'ibihe, uburimyi bwisunga ibihe, gutera ibiti mu gihugu ku rugero rushemeye, gusukura kugira ngo turandurane n'imizi malariya n'izindi ndwara zifatiye kw'ihindagurika ry'ibihe.

Guteza imbere imigambi y'iterambere rifatiye ku butunzi bw'ivyimburwa, n'ubutunzi buvuye ku mazi, bituma hashirwa mu ngiro ibikorwa birama kandi vy'akamaro.

Ihangiro rya 22

**Gukingira no guteza imbere ubutunzi ndangakaranga kama bw'igihugu.**

Gukingira no kwongera agaciro akaranga k'Uburundi ni ngirakamaro, mu gutsimbataza ibikorwa vy'iterambere bishingiye ku mico n'akaranga vy'Abarundi bose.

Vyongeye, iri hangiro riri mu ntumbero y'icipfuzo n'ingendo vya Reta aho ishaka gukora ibishoboka vyose mu kugabanya ubutandukane buri hagati y'imico y'abanyagisagara n'iyo ababa hagati mu gihugu.

Itunga ndangakaranga rusangi rigizwe n'ibibanza ndangakaranga rusangi, ibibanza vyerekana kahise k'igihugu, ibibanza bigizwe n'itunga kama (aho usanga ibinyabuzima bibayeho kumwe, inzuzi, n'ibindi).

Itunga ndangakaranga rigizwe kandi n'ururimi rw'ikirundi, umuziki, intambo n'imvyino ndangakaranga, amayagwa ajanye n'uko basenga aho hambere, imigirwa n'imigenzo bijanye n'ubugeni, n'ibindi.

Itunga ndangakaranga rigizwe kandi n'ubugenegene nko kubumba inkono, kujisha, gutamba ingoma no gukoresha ibikoresho vyo gucuraranga.

Iryo tunga ndangakaranga ni iryo kubungabunga igihe cose, na canecane rigahabwa ikibanza kibereye mu rwaruka, k'uko rishobora gukwegakwega ingenzi ziva mu mihingo itandukanye y'isi, biciye mu kwongereza ubushobozi n'akanovera ko kwakira neza ingenzi.

Nimba gukingira no kwongera agaciro akaranga k'Uburundi ari ngirakamaro, kukanagura no kugateza imbere na vyo ni kirumara, na canecane mu gutera intege abanyatugenegene bahingura bagahinyanyura utuntu n'utundi bakwiragiye hose mu gihugu.

Amahinguriro ndangakaranga nk'ireresi, amayagwa, umuziki, intambo z'ikizungu, ibikino, ugutwenza, ugushushanya, amahiganwa n'ibindi birakwiye gutsimbatazwa.

Ihangiro rya 23

**Guhimiriza abafasha mw'iterambere ry'igihugu n'Abarundi baba mu mahanga.**

Imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 itegerezwa guherekezwa n'ibikorwa vyo kwegeranya uburyo buva hanze y'igihugu, ariko na canecane buva mu gisata c'abikorera utwabo.

Inguvu nyinshi zitegerezwa gushirwa mu biganiro, mu gukomeza imigenderanire no gufashanya n'ayandi makungu; kugira Ihangiro rya 22 Guhimiriza abafasha mw'iterambere ry'igihugu n'Abarundi baba mu mahanga bifashe igihugu kiboneke neza no gukwegakwega amashirahamwe afasha mu bikorwa vy'iterambere n'abagwizatunga, mu gisata c'abikorera utwabo (Abarundi canke abanyamahanga).

Ni vyiza rero gushiraho ibishobora kubatera intege mu kworohereza abajabuka imbibe no guhamagarira Abarundi bari mu mahanga kuzana imitahe yabo ngaha mu Burundi.

*Biracaza*

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Bubanza: Isekeza ryo kugwanya indwara y'urukushi



Ku wa 24/7/2024, intara y'ubuvuzi ya BUBANZA, yari iramutse ikoranya abarongoye intwaro ku rwego rw'Intara n'amakomine, abarongoye ama-vuriro mato mato, abarongoye ibitaro bikuru, abarongoye uburere bw'ubuvuzi mu ntara, abaserukira amashengero makuru makuru atatu akorera mu ntara ya BUBANZA (Katolika, I-slamu n'Abaporoti).

Iyo nama ihambaye yerekeye isekeza ryimirije ryo kurwanya indwara y'urukushi (Onchocercose).

Inama ikaba yuguruwe icese n'Umuhanuzi mwishikira mu biro vya Buramatari w'intara ya Bubanza Jean Bosco Nduwimana hamwe na Muganga Joelle Bigirirmana arongoye intara y'ubuvuzi ya Bubanza.

Nkuko vyashikirijwe na Muhire Jean Bosco ashinzwe umugambi wo kurwanya indwara zititaweho mu ntara ya Bubanza, ngo intara ya Bubanza, iri mu ntara zirangurirwamwo umugambi wo kurwanya indwara y'urukushi kuva mu mwaka w'2005.

Kuko vyibonekeje ko hari abantu batari bake bafashwe n'iyo ndwara, ikaba n'intara yibonekezamwo cane udukoko tw'udusazi twitwa INDIRAGUTUMBA, dutera iyo ndwara.

Ariko mwomenya ko iyo ndwara itari mu ntara ya Bubanza gusa, iri kandi no mu ntara zimwe zimwe z'Uburundi no mu bihugu duhana imbibe.

Mbere nkuko vyashikirijwe n'uyo muhinga Muhire Jean Bosco, ngo iyo ndwara iri mu bihugu bishika 30 muri Afrika, ikaba imaze gufata abantu bashika imiliyoni 18 muri ivyo bihugu, muri bo imiliyoni 6,5 bakaba bamaze kugaragaza ibimenyetso vyo ku rukoba.

Ako gasazi k'indiragutumba, ngo kenshi kabarizwa mu nzuzi zimwe zimwe, kakaryana mu gitondo harya hagipfutse, kakongera kakimonogoza rero harya butanguye kugoroba.

Ngo uwafashwe n'iyo ndwara, ariyagaza cane uburye ntibuhere, gushika aho akoresha igitiritiri.

Muri ico gihe, urukoba rurahinduka rukagumarara, gushika aho rumera nk'urwumuserebanyi.

Inyuma y'igihe, umurwayi yafashwe n'imigera itegwa n'utwo dusazi tw'indiragutumba, arasinzikara cane, ya migera igateba ikaja mu maso maze igapfirayo, wa muntu agaca ahuma ubutagihumuka.

Kuva mu mwaka w'2005 rero mu kurwanya iyo ngwara, hakoreshwa uburyo bwo gukingira abanyagihugu baho uyo mugambi urangurirwa, mu kubaha ibinini vyitwa Mectizan, bagaca babaha n'ibinini vyo kuvura inzoka (Albendazol), bahera ku bana bakwije imyaka 5 gushika ku musaza ukuyemwo abavyeyi bibungenze,n' indembe.

Iryo sekeza risanzwe riba ku mwaka ku mwaka, uyu mwaka rero w'2024 mu ntara y'ubuvuzi ya Bubanza, bakaba biteze kuzokingira abantu 451.599 bazohabwa Mectizan, n'abantu 332.571 bazohabwa ibinini vy'inzoka.

Ngo kuva mu mwaka w'2005, ku matohoza yakozwe n'abaserukira OMS, iyo ngwara y'urukushi biribonekeza ko yagabanutse cane, mbere ngo bimirije gutohoza neza ko yoba igeze ku rugero rwo guhera burundu, kugira ntibabandanye gutanga iyo miti ikinga.

Ivyasabwe:

Abajejwe intwaro boba mu bambere banywa iyo miti, bakanahimiriza cane abo barongoye, na cane cane abo mu madini amwe amwe banka kwakira bene izo ncanco bitwaza ko ziba zavuye mu kuzimu, canke ngo ari zo guhonya abantu mu kubabuza kuvyara.

Abaserukira amadini nabo basabwe kujijura abo barongoye, kubasomera amatangazo abahimiriza kuja kwakira iyo miti, no kunywa ubwabo ku mugaragaro ivyo binini.

Abamenyeshamakuru nabo basabwe kubivuga kenshi no gufasha kujijura abanyagihugu.

Isango ryo gutangurirako urwo rukingo izomenyeshwa mu nyuma, kuko ngo umuti Mectizan uracariko uraza, nturashika mu gihugu, ariko ngo uri hafi gushika.Ushitse abanyagihugu bazoca bamenyeshwa isango isekeza rizotangurirako.

*Emmanuel HAVYARIMANA*

# Ugukingira abakorewe amabi afatiye ku gitsina Ingaruka mbi ziyaturukako no guhana abayakoze

Amabi afatiye ku gitsina ni ico kintu cose kitari ciza gikorerwa umuntu gifatiye ko ari izina muhungu canke izina mukobwa bigatuma uwo muntu ababazwa ku mubiri canke ku mutima.

Igihugu cacu carashizeho ibwirizwa ryerekeye gukinga no guhana amabi afatiye ku gitsina hamwe no gukingira abakorewe ayo mabi.

Hambavu y'ibihano bitegekanijwe muri iryo bwirizwa, igitabu c'amategeko mpanavyaha naco nyene kirategekanya ibihano ku muntu yagiriwe n'amabi afatiye ku gitsina.

Ibwirizwa n° 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye gukinga, guhana amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe riranategekanya ingene abakorewe amabi afatiye ku gitsina bakingirwa n'ingene abayakoze bahanwa.

***1. Ugukingira abakorewe amabi afatiye ku gitsina***

Iri bwirizwa n° 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye gukinga, guhana amabi afatiye ku gitsina no kugarukira abayakorewe riritegekanya gupimisha uwakorewe ayo mabi kugira urugero yahohoteweko rumenyekane, yongere akingirwe canke avurwe indwara yahanduriye.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 13 mu gace kayo ka 2 ivuga ko mu manza zerekeye abakorewe amabi afatiye ku gitsina, ubutungane burageragеza kupimisha abakorewe ayo mabi bakanabapimisha ko batanduye umugera wa SIDA canke izindi ndwara zandukira biciye mu mibonano mpuzabitsina hamwe no kugira ngo barabe urugero uwo muntu yahohoteweko.

Iyi ngingo ibandanya ivuga mu gace kayo ka 3 ko amafaranga yose Reta ikoresha mu gupimisha uwakorewe amabi arihwa n'uwayakoze mu gihe sentare imuciriye urubanza rwerekana ko ari we yabikoze.

Bishitse ko umukozi akorerwa amabi afatiye ku gitsina ari ahari ho hose, naho nyene iri bwirizwa riramukingira.

Tubisanga mu ngingo ya 14 ivuga ko umukozi yakorewe amabi afatiye ku gitsina afise uburenganzira, mu gihe vyemejwe n'umuganga, bwo kugabanirizwa amasaha y'akazi, gusubirirwamwo ikiringo c'akazi, guhindurirwa aho akorera, kwimurirwa ahandi, guhagarika vy'agateganyo amasezerano y'akazi kandi akagira amahirwe yo gusubizwa muri ako kazi nyene inyuma y'iryo hagarikwa kandi ararekuriwe gutanga imihoho atarinze kubimenyesha.

Mu gihe uwakorewe amabi adashobora gutonda ku mirimo yiwe ya misi yose naho nyene amategeko aramukingira akaguma aronswa agahembo kiwe.

Tubisanga mu ngingo ya 15 ivuga ko urwandiko rwatanzwe n'umuganga ari rwo rushobora kwerekana ko uwakorewe amabi ashobora kudashika ku gihe ku mirimo ajejwe canke ntashobora gutonda ku kazi kiwe yahora akora bivuye kuri iryo hohoterwa.

Uwakorewe amabi ari umukozi ategerezwa kubimenyesha umukoresha wiwe mu kiringo c'amasaha 72 hanyuma aca aronka amahirwe yo kuronswa agahembo muri ico gihe bitakunze ko ashika ku mirimo yiwe.

Iyo uwakorewe amabi ari umunyeshure, iri bwirizwa riritegekanya kumukingira mu kumworohereza ko arondera ishure ahandi canke ko ahindura aho yahora aba. Bitegekanijwe n'ingingo ya 16 ivuga mu gace kayo ka mbere ko ishure rya Reta canke ry'abigenga ritegerezwa gutegakanya ko umunyeshure yakorewe amabi afatiye ku gitsina ahindurirwa ishure yigako canke agahindurirwa aho aba.

Umuyobozi w'ishure ategerezwa gufata ingingo zose zikingira umunyeshure ingaruka mbi zoturuka kuri iryo hohoterwa. Bitegekanijwe n'ingingo ya 17 ivuga ko abayobozi b'amashure bategerezwa gufata ingingo zose zishoboka kugira bakingire abanyeshure bahuye n'amabi afatiye ku gitsina biga ku mashure yabo.

Mu gihe umwigeme yakorewe amabi hakaba ingaruka yogutwara imbanyi akiri mu mashure, uburenganzira bwo kuronswa inyigisho buguma bwubahirijwe. Bitegekanijwe n'ingingo ya 18 ivuga ko abayobozi b'amashure bategerezwa kwubahiriza uburenganzira bwo kwiga ku bigeme batwaye inda bakiri mu mashure kandi bategerezwa gufata ingingo zikenewe kugira bakingire abo banyeshure ntibakumirwe n'abagenzi babo canke abigisha babo.

Abajejwe intwaro n'ababanyi b'uwakorewe ayo mabi nabo bahamagarirwa kumukingira.

Tubisanga mu ngingo ya 21 ivuga ko ababanyi b'uwakorewe amabi hamwe n'abajejwe intwaro bategerezwa kubanguka gutabara uwahohotewe kandi bafata ingingo zose zishoboka kugira ayo mabi ahagarikwe mu maguru masha.

Iyi ngingo irerekana ingene uwahohotewe aronka amahirwe yo kuronka abamutabariza n'amasura.

2. Uguhana icaha co gukora amabi afatiye ku gitsina.

*Ibikur. urup. 11*

# Ugukingira abakorewe amabi afatiye ku gitsina Ingaruka mbi ziyaturukako no guhana abayakoze

*(Bitangurira ku rup.10)*

Mu kugerageza guhasha amabi afatiye ku gitsina ngo ntagume arandagata, ibwirizwa n° 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye gukinga,guhana amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe hamwe n'igitabu c'amategeko mpanavyaha vyarategekanije ibihano kuri uwo wese yagiriwe n'amabi afatiye ku gitsina.

Reta yarashizeho kuri buri sentare nkuru y'igihugu aho abakorewe amabi afatiye ku gitsina bumviririzwa n'abacamanza hamwe n'abashikirizamanza bahuguwe mu vyerekeye amabi afatiye ku gitsina nk'uko ingingo ya 28 y'iri bwirizwa ibitegekanya.

Uwagiriwe n'ugukingira ikibaba uwakoze amabi afatiye ku gitsina mu kugerageza kumwumvikanisha n'uwo yayakoreye arahanwa nk'uko iri bwirizwa ribitegekanya.

Tubisanga mu ngingo ya 31 ivuga ko uwo wese yagiriwe nayo mabi turiko turavuga mukugerageza kumvikanisha uwayakorewe n'uwayakoze ahanishwa umunyororo uva ku myaka itanu gushika ku myaka icumi n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku bihumbi 100 vy'amafaranga y'amarundi.

Umuvyeyi,umurezicanke uwundi muntu wese yagiriwe no gufasha umuntu




atarashikana imyaka yemewe n'amategeko ngo yubake urwiwe mu ntumbero yo gupfukapfuka amabi yakozwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka itanu gushika ku myaka icumi n'ihada-buriva ku mafaranga ibihumbi amajana abiri gushika ku bihumbi amajana atanu vy'amafaranga y'amarundi nk'uko ingingo ya 44 y'iri bwirizwa ibitegekanya.

Iyi ngingo ikuraho uruhusharwahorarutangwa na Buramatari w'intara rurekurira uwutarakwiza imyaka kugira ubugeni atarakwiza imyaka yemewe n'amategeko nk'uko vyategekanywa n'ingingo ya 88 mu gace ka 2 y'itegeko-bwirizwa n°1/024 ryo ku wa 28 ndamukiza 1993.

Uwagiriwe n'ugutera ubwoba uwakorewe ayo mabi ngo ntiyiture ubutungane arahanwa nk'uko iri bwirizwa ribitegekanya mu ngingo ya 47 ivuga ko umuntu wese yagiriwe n'ugukora ikintu ico ari co cose kugira atere ubwoba uwahohotewe ngo ntiyiture ubutungane ahanisha umunyororo w'imyaka cumi n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 50 gushika ku bihumbi 100 vy'amafaranga y'amarundi.

Uwakorewe amabi afatiye ku gitsina canke uwo yagize ko ingaruka ararekuriwe kwitura sentare asaba indishi y'akababaro. Tubisanga mu ngingo ya 58 ivuga ko uwahohotewe canke uwundi muntu uwari we wese vyagize ko ingaruka ararekuriwe kwitura sentare ibifitiye ububasha asaba indishi y'akababaro.

Igitabu c'amategeko mpanavyaha naco nyene carategekanije ibihano kuri uwo wese yagiriwe n'amabi afatiye ku gitsina.

Tubisanga mu ngingo ya 581 y'ibwirizwa n°1/27 ryo ku wa 29 kigarama 2017 rihindura igitabo c'amategeko mpanavyaha ivuga ko uwo wese yagiriwe n'ugufata umuntu ku nguvu ahanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwiwe bwose:

1°) mu gihe yabanje kumusinzikariza ubuzima;

2°) mu gihe uwahohotewe aciye yitaba Imana;

3°) uwafashwe ku nguvu ari umwana atarakwiza imyaka cumi n'ibiri, kandi ivyo vyose uwagirizwa ico caha akabikora azi neza ko agendana indwara idakira yandukira iciye mu mibonano mpuzabitsina.

Mu ntumbero yo guhasha amabi afatiye ku gitsina aciye ku gufata ku nguvu, ingingo ya 582 irerekana ko abagiriwe n'icaha co gufata ku nguvu badashobora kugirirwa ikigongwe kandi igihano baciriwe kidashobora kugabanywa canke ngo icaha bakoze gitakaze igihe co gukurikiranwa.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abakorewe amabi afatiye ku gitsina bakingirwa nk'uko ibwirizwa n° 1/013 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 ryerekeye gukinga,guhana amabi afatiye ku gitsina no gukingira abayakorewe ribitegekanya.

Twabonye kandi ko abagiriwe n'ugukora amabi afatiye ku gitsina bahanwa nk'uko amategeko abitegekanya kandi ntibashobora kugirirwa ikigongwe canke ngo igihano baciriwe gishobore kugabanywa canke ngo icaha bakoze gitakaze igihe co gukurikiranwa.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ekleziya yama yegereye abana bayo no mu bihe bigoye

Kuva kw'igenekerezo rya 19 gushika ku wa 24 Mukakaro 2024, U-munyabanga wa Reta ya Vatikano Karadinali Pietro Parolin aherekejwe na Musenyeri Paul Butnaru baraserukiye Nyenubweranda mu rugendo bagize mu gihugu ca Ukraine mu ntumbero yo kugira u-rugendo rweranda ku kirimba ca Bikira Mariya kiri i Berdytchiv.

Kirimba kikaba caratewe iteka ryo kugirwa isengero nkuru ku wa 21 Mukakaro 2024 .

Ku wa 19 Mukakaro, bakiriwe ku kibuga c'-indege Rzeszow muri Pologne na Nyenicubahiro Musenyeri Visvaldas Kulbokas aserukira Papa muri Ukraine, ari kumwe na Musenyeri Adam Szal, umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Przemysl hamwe n'abaserukiye intwaro muri ico gihugu.

Baciye bagana igihugu ca Ukraine aho bari barindiriwe ku rubibe Ukraine ihana na Pologne na Nyenicubahiro Andriy Yurash aserukira Ukraine i Vatikano, aho baciye bagenda bagana ku kirimba c'ubuserukizi bwa Papa muri Ukraine i Kiev.

Ku wa 20 Mukakaro, uwo munsi Karadinali Parolin nabo bari kumwe bawuhariye kugendera igisagara Odessa kimwe mu bisagara vyasinzikajwe n'intambara yo muri Ukraine.

Muri ico gisagara baragendeye ubwa mbere isengero nkuru yaho aho bakiriwe na Musenyeri Stanislav Shyrokoradiuk, agendera ikivuko caho, agendera isengero nkuru ya Ortodoxe hamwe na Paruwase yab'Abagiriki babakatolika yitiwe Mikaheri Mweranda. Aho hose yaramenyesheje abo baganiriye ko Nyenubweranda barikumwe mu ngorane zose barimwo.

Ku wa 21 Mukakaro, wabaye umunsi uhariwe intumbero y'urwo rugendo aho yahereje inkuka ya misa ku kirimba gikuru ca Bikira Mariya ci Berdytchiv.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, yarabasiguriye ko atakinanira Imana. Nivyo tubona ko abantu vyabananiye, Imana ntinanirwa.

Yatumiriye abari ngaho ko bokwama bahereza Imana ibisabisho basaba amahoro baciye kuri Bikira Mariya mugabekazi w'i Karameri, ngo asabire imitima guhinduka. Inyuma y'inkuka ya misa, yaraganiriye n'abaje muri urwo rugendo rweranda yongera araramutsa benshi muribo.

Ku wa 22 Mukakaro, yavuganye n'abari muri Reta ahereye k'umushikiranganji wa mbere nyakubahwa Denys Shmyhal, umukuru w'inama nshingamateka, n'umukuru w'abashingamateka bagize umugwi ufitaniye ubugenzi hagati ya Ukraine na Vatikano.

Bose barakengurutse umutima wo kubaba hafi nyenubweranda adasiba kubagaragariza.

Ku ruhande rwiwe, Karadinale Parolin yabarateye intege ku gikorwa



co kugarukana amahoro barimwo, a-bamenyesha ko Reta ya Vatikano nayo ataco itazobakorera kijanye no kugarukana amahoro.

Ubutumwa bw'uwo munsi bwaherahejwe n'ikiganiro yagiriraniye n'abaserukira amashengero n' imiryango y'abihebeyimana ku kirimba c'uwuserukira Papa muri Ukraine.

Uwafashe ijambo amaze gukenguruka, yaramusavye ko batokwigera bibagira igihugu c'Imana kiri muri Ukraine. Nawe ku ruhande rwi-we yarabishuye ko bagiye guca hirya no hino ibibazo vyose yashikirijwe muri urwo ruge-ndo.

Ku wa 23 Mukakaro, ubutumwa yabuhere-ye mu bitaro vy'abana vyatewe amabombe ku wa 8 Mukakaro. Aribo-nera ingene babiteye amasasu akomeye ha-mwe n'igikomere ico gitero cashize mu mitima y'abantu. Yaboneyeho kuganira n'abavuzi baho aho yabagaragarije umutima Nyenu-bweranda abafitiye wo kubabahafi.

Urwo rugendo yarurangirije ku kiganiro yagiiriraniye na Nyenicubahiro Volodymyr Zelenskyy hamwe no gushikirizwa agashimwe yari yemerewe ku wa 30 Kigarama 2023 kagaragaza umutima w'ubukengurutsi bamweretse kuko nawe yabitwararitse mu bi-he bigoye barimwo.

Ibiganiro vyakurikiye, vyabaye mu mutima kivandimwe, aho baganiriye ku buryo bwose bushoboka bwotuma bava muri iyo ntambara, n'ingene Ekleziya ataco itazogira ngo ba-shobore kuronka amahoro.

Baraganiriye kandi ibintu bikora ku buzima bw'amashengero yaho muri kino gihe c'intambara.

Inyuma y'umutaga, yaciye ava i Kiev atera aja muri Pologne.

Aho mu gitoto c'uwa 24 Mukakaro niho Umunyamabanga mukuru wa Kiev yafata indege imusubiza i Roma.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*